PROJET DE LOI PORTANT STATUT DES SOUS-OFFICIERS DE POLICE DE LA POLICE NATIONALE DU BURUNDI

INTEGURO Y'IBWIRIZWA RISHINGA AMATEGEKO AGENGA IBISONGEREZI VY'INTWAZANGABO MU GIPORISI C'UBURUNDI

EXPOSE DES MOTIFS

INTUMBERO Y'IBWIRIZWA

I. CONTEXTE ET JUSTIFICATION

1. Le Burundi, étant un pays souverain, est responsable de l'ordre et de la sécurité sur son territoire. Cette prérogative est une émanation de la loi fondamentale en vigueur au Burundi en son article 14 énoncé en ces termes :

   « Tous les Burundais ont le droit de vivre dans la paix et dans la sécurité. Ils doivent vivre ensemble dans l'harmonie, tout en respectant la dignité humaine et en tolérant leurs différences ».

2. En son article 254, la Constitution prévoit des lois organiques déterminant la mise en place, les missions, l'organisation, l'instruction, les conditions de service et le fonctionnement de la Force de défense nationale du Burundi, de la Police Nationale du Burundi et du Service National de Renseignement.

3. La Police Nationale du Burundi est régie par la loi organique n° 1/03 promulguée le 20 février 2017 portant Mission, Composition, Organisation et Fonctionnement de la Police Nationale du Burundi.

4. L'article 313 de cette loi prévoit un certain nombre de textes d'application notamment les Statuts du personnel de la Police Nationale du Burundi.

I. IBITUMYE IRI BWIRIZWA RITEGURWA

1. Uburundi, nk'igihugu cishirakikizana, nibwo bubazwa umutekano ku gataka kabwo kose. Ubwo bubasha butangwa n'Ibwirizwa Shingiro rikurikizwa mu Burundi mu ngingo yaryo ya 14 ivuga iti :

   «Abarundi bose barafise uburenganzira bwo kubaho mu mahoro no mu mutekano. Bategerezwa kubana ata nkomanzi, bakubahiriza agateka ka zina muntu bakongera bakihanganirana mu budasa bwabo».

2. Mu ngingo yaryo ya 254, Ibwirizwa Shingiro rya Repuburika y'Uburundi riritegekanya amabwirizwa aryunganira ashirahoUrwego rw'ukwivuna abansi, Urwego rw'Igiporisi c'Uburundi n'Urwego rw'igihugu rujejwe igendereza, imirimo y'izo nzego, ingene zitunganijwe, inyigisho zitangwa, ibisabwa mu kuja muri zo n'ingene zikora.

3. Igiporisi c'Uburundi kigengwa n'Ibwirizwa ryunganira Ibwirizwa Shingiro inomero 1/03 ryo ku wa 20 Ruhuhuma 2017 rishinga imirimo y'Igiporisi c'Uburundi, abakigize, ingene gitunganijwe n'ingene gikora ;

4. Ingingo ya 313 y'iryo bwirizwa irategekanya amategeko arishira mu ngiro nk'ayagenga abakozi bo mu Giporisi c'Uburundi.

5. L'élaboration de la présente loi s'inspire largement de la Loi n° 1/17 du 31 décembre 2010 portant Statut des Brigadiers de la Police Nationale du Burundi en y apportant certaines innovations pouvant permettre au Sous-officier de Police de travailler dans un environnement socio-économique, sécuritaire et politique du moment.

5. Iri bwirizwa ryateguwe hisunzawe ahanini Ibwirizwa inomero 1/17 ryo ku wa 31 Kigarama 2010 rishinga amategeko agenga Ababirigadiye b'Igiporisi c'Uburundi hashirwamwo ibintu bishasha bimwe bimwe bituma Intwazangabo mu Giporisi ashobora gukora muri iki gihe mu vyerekeye imibano n'ubutunzi, umutekano na poritike.

II. STRUCTURE DU PROJET DE LOI

Le nouveau projet de loi est structuré en dix chapitres à savoir :

II. INGENE IRI BWIRIZWA RIRINGANIJWE

Iyi nteguro y'Ibwirizwa igizwe n'ibice icumi ari vyo vy'ibi :

CHAPITRE I:DES DISPOSITIONS GENERALES (ARTICLES 1à6)

Ce chapitre décrit d'une manière générale le contenu de la présente loi, insistant particulièrement sur les conditions générales de recrutement, les droits, les devoirs et les incompatibilités, les traitements, les primes, les indemnités et les avantages sociaux, la notation, les grades et avancements, la carrière, les récompenses, les bonifications de stage et de formation, ainsi que le régime disciplinaire des Brigadiers de la Police Nationale du Burundi et la sécurité sociale.

IGICE CA I: INGINGO NGENDERWAKO (KUVA KU NGINGO YA 1 GUSHIKA KU YA 6)

Ico gice kiratomora muri rusangi ibiri muri iri bwirizwa, kigashimikira canecane ku bisabwa bikurubikuru kugira umuntu yinjizwe mu bitegurira kuba Ibisongerezi vy' Intwazangabo mu Giporisi, ivyo ibisongerezi vy'Intwazangabo mu Giporisi bafitiye uburenganzira, ivyo bategerejwe n'ivyo batabangikanya n'amabanga bajejwe, ivyerekeye imishahara,udushirukabute, uturusho tujanye n'ivy'akazi n'utujanye n'ivy'imibano,ingene amanota atangwa mu kazi, amapete n'ingene baduzwa amapete, umwuga wabo, ubushimwe,uturusho duhabwa uwakarihirijwe ubwenge n'uduhabwa uwaronse inyigisho hamwe n'amategeko ajanye n'inyifato mu kazi agenga Ibisongerezi vy'Intwazangabo mu Giporisi c'Uburundi n'ivyerekeye kubategekaniriza kazoza.

Il fait ressortir les contraintes et exigences qu'éprouve le Sous-officier de Police dans son métier de Police en l'occurrence l'esprit de sacrifice, l'interdiction d'exercer et jouir de certains droits et libertés reconnus aux autres citoyens et prévoit les compensations liées à ces contraintes et exigences.

Ico gice cerekana ingorane Ibisongerezi vy'Intwazangabo mu Giporisi bagira mu mwuga wabo n'ivyo ubuzima bwabo busaba harimwo umutima w'ukwitanga, ukubuzwa gukoresha uburenganzira bumwe bumwe n'ubwigenge abenegihugu bose bafise kandi kirategekanya uturusho kuri izo ngorane bagira hamwe no kuri ivyo ubuzima bwabo busaba.

Il fait participer davantage le Sous-officier de Police à la lutte contre la criminalité en lui dotant la qualité d'Officier de Police Judiciaire à compétence générale ou restreinte selon qu'il est affecté à la police judiciaire ou dans une

Ico gice kirategekanya ko Igisongerezi mu Giporisi ategerezwa kugira uruhararusumbirije mu kurwanya ubukozi bw'ikibi mu kumuha ububasha bw'Inyamiramabi kuri vyose, ku co yarungitswe gukora gusabivanye n'uko yarungitswe gukorera

unité spécialisée.

mu giporisi c'inyamiramabi canke mu mugwi ufise ico wisangije mu vyerekeye ubuhinga.

CHAPITRE II : DES CONDITIONS DE RECRUTEMENT ET DU STAGE PROBATOIRE (ARTICLES 7 à 19)

IGICE CA II : IBISABWA MU KWINJIZWA MU BITEGURIRA KUBA IBISONGEREZI VY'INTWAZANGABO MU GIPORISI N'IVYEREKEYE UKWIMENYEREZA AKAZI (KUVA KUNGINGO YA 7 GUSHIKA KU YA 19)

Ce chapitre fixe les conditions de recrutement des candidats Sous-officiers de Police. Il prévoit un stage probatoire de douze mois.

Ico gice kiratomora ibisabwa kuwipfuza kwinjizwa mubitegurira kuba ibisongerezi vy'Intwazangabo mu Giporisi. Kirategekanyaikiringo c'ukwimenyereza akazi c'amezi icumi n'abiiri.

L'article 9 de cette loi précise que le candidat Sous-officier de Police reçoit une formation initiale appropriée aux missions de la Police Nationale du Burundi à l'Ecole Sous-officier de Police ou dans d'autres institutions se trouvant au pays ou à l'étranger reconnues par le Ministère ayant la Police Nationale dans ses attributions.

Ingingo ya 9 y'iryo bwirizwa iratomora ko uwitegurira kuba Igisongerezi c'Intwazangabo mu Giporisi aronswa inyigisho z'intango zerekeye imirimo y'Igiporisi c'Uburundi zitangirwa mw'Ishure ry'Ibisongerezi vy'Intwazangabo mu Giporisi canke mu yandi mashure ari mu gihugu canke mu mahanga yemewe n'Ubushikiranganji Igiporisi c'Uburundi cegukira.

Le même chapitre met en exergue la typologie de formations reconnues au Ministère ayant la Police Nationale dans ses attributions (art 10).

Ico gice nyene kirerekana ubwoko bw'inyigisho zemewe n'Ubushikiranganji (ingingo ya Igiporisi c'Uburundi cegukira 10).

La section 2 prévoit un stage de douze mois après la formation initiale du candidat Sous-officier de Police.

Agace ka 2 gategekanya ko uwitegurira kuba Igisongerezi c'Intwazangabo mu Giporisi aronswa ikiringo c'ukwimenyereza akazi mu mezi icumi n'abiri arangije inyigisho z'intango.

En cas d'échec, celui-ci reprend son stage pendant 12 mois.

Mu gihe uwitegurira kuba Igisongerezi c'Intwazangabo mu Giporisi aronse amanota adashimishije, aca asubirakwimenyereza akazi mu kiringo c'amezi icumi n'abiri.

CHAPITRE III : DES DROITS, DES DEVOIRS ET DES INCOMPATIBILITES (ARTICLES 20 à 36)

IGICE CA III: IVYO IGISONGEREZI C'INTWAZANGABO MU GIPORISI AFITIYE UBURENGANZIRA, IVYO ATEGEREJWE N'IVYO ATABANGIKANYA N'AMABANGA AJEJWE (KUVA KU NGINGO YA 20 GUSHIKA KU YA 36)

Ce chapitre parle des droits, des devoirs et des incompatibilités de service du Sous-officier de Pollice

Ico gice kirimwo ivyo Igisongerezi c'Intwazangabo mu Giporisi afitiye uburenganzira, ivyo ategerejwe n'ivyo atabangikanya n'amabanga ajejwe.

Au niveau de ses droits, le Sous-officier de Police a droit à d'un congé annuel de repos de

Ku vyerekeye ivyo afitiye uburenganzira, Igisongerezi c'Intwazangabo mu Giporisi arafise

quinze jours ouvrables.

uburenganzira bwo kuronka akaruhuko ko ku mwaka ku mwaka k'imisi icumi n'itanu y'akazi.

Outre le congé annuel, le Sous-officier à un congé familial périodique de douze jours deux fois par an ainsi que des congés de circonstance, d'expertise, de reclassement, de mutation, d'intérêt public et médical.

Uretse akaruhuko Igisongerezi c'Intwazangabo mu Giporisi aronka ku mwaka ku mwaka, araronka akaruhuko kajanye n'ivy'umuryango k'imisi icumi n'ibiri kabiri mu mwaka hamwe n'akajanye n'ibimushikira rimwerimwe, akaruhuko k'ukurangura iyindi mirimo afisemwo ubuhinga, akaruhuko k'ukwitegurira gukukuruka, akajanye n'uguhindurirwa akarere k'ugukoreramwo, ako kuja kurangura ayandi mabanga y'igihugu n'agahabwa uwurwaye.

Le chapitre reprend les avantages sociaux du Sous-officer en activité ou à la retraite, de ses ayants droits ou assimilés relatifs aux soins médicaux et produits pharmaceutiques.

Ico gice kirerekana uturusho tujanye n'ivy'imibano duhabwa Igisongerezi c'Intwazangabo mu Giporisi akiri mu kazi canke yakukurutse, abafise uburenganzira ku matungo yiwe canke abafatwa nka bo twerekeye ukuvuzwa n'uguhabwa imiti.

Les enfants mineurs et assimilés de la veuve ou du veuf qui se remarie gardent les avantages susvisés.

Abana batarakwiza imyaka y'ukwihagararira imbere y'amategeko n'abafatwa nka bo b'umupfakazi canke umupfakare yubakanye n'uwundi muntu bagumana uturusho twavuzwe.

L'article 30 prévoit qu'une allocation de fin de carrière équivalente au dernier salaire brut est accordée mensuellement pendant deux ans à tout Sous-officier de Police ayant atteint l'âge limite de la retraite

Ingingo ya 30 itegekanya ko amafaranga atekererwa abakukurutse angana n'umushahara Igisongerezi c'Intwazangabo mu Giporisi yakwije imyaka y'ugukukuruka yari agezeko atakirakurwako aja arahabwa ku kwezi ku kwezi mu kiringo c'imyaka ibiri.

Au cours de sa carrière, un Sous-officier de Police peut bénéficier des distinctions honorifiques. Les critères d'éligibilité, les modalités pratiques, les insignes de décoration ainsi que les avantages liés à cet acte sont déterminés par une législation spécifique (article 31).

Akiri mu kazi, Ibisongerezi vy'Intwazangabo mu Giporisi arashobora kuronswa ibidari bihabwa abatewe iteka n'igihugu.Ibifatirwako mu gutorwa, ingene bikorwa, ibimenyetso yambikwa hamwe n'uturusho bijana bishingwa n'Itegeko rivyerekeye (31).

Au niveau des devoirs et incompatibilités, ce chapitre reprend le prescrit du statut en vigueur tout en insistant sur l'interdiction du Sous-officier de Police de s'immiscer dans les affaires politiques.

Ku vyerekeye ivyo Igisongerezi c'Intwazangabo mu Giporisi ategerejwe n'ivyo atabangikanya n'amabanga ajejwe, ico gice kirimwo ibitegekanijwe mu mategeko asanzwe akurikizwa kikongera kigashimangira ko Ibisongerezi vy'Intwazangabo mu Giporisi bibujijwe ko yisuka mu bijanye na poritike.

CHAPITRE IV : DE LA NOTATION (ARTICLE 37 à 42)

Ce chapitre décrit la périodicité, la procédure, la contexture du bulletin et les critères de la notation du Sous-officier de Police, y compris l'appréciation synthétique du mérite du Sous-officier de Police.

IGICE CA IV: IVYEREKEYE UGUHABWA AMANOTA MU KAZI (KUVA KU NGINGO YA 37 GUSHIKA KU YA 42)

Ico gice kivuga ibiringo amanota yerekana ingene Igisongerezi c'Intwazangabo mu Giporisi yakoze muri rusangi atangirwako, ingene atangwa,uko ifishiy'amanota yo ku kazi iba imeze n'ibifatirwako mu gutanga amanota, harimwo n'incamake y'amanota ahabwa Igisongerezi c'Intwazangabo mu Giporisi.

CHAPITRE V : DES GRADES ET DE L'AVANCEMENT (ARTICLE 43 à 54)

L'article 44 de ce chapitre énumère par ordre croissant les grades du Sous-officier de Police (6 grades) sous une nouvelle nomenclature, successivement dans l'ordre de :

1. Sergent de Police
2. 1er Sergent de Police
3. 1er Sergent Major de Police
4. Adjudant de Police
5. Adjudant-Chef de Police
6. Adjudant Major de Police

La deuxième section parle de l'avancement (articles 45 à 54). Hormis la promotion au grade de 1er Sergent de Police qui est de 2 ans après la formation et le stage probatoire, une période de cinq ans fait partie des critères d'accès au grade supérieur (article 48).

Toutefois, le Ministre ayant la Police Nationale dans ses attributions, peut sur proposition des chefs hiérarchiques compétents, commissionner un Sous-officier de Police au grade supérieur avant la période normale d'avancement (article 51).

IGICE CA V : IVYEREKEYE AMAPETE N'UKUDUZWA AMAPETE (KUVA KU NGINGO YA 43 GUSHIKA KU YA 54)

Ingingo ya 44 y'ico gice idondagura amapete aja arahabwa Ibisongerezi vy'Intwazangabo mu Giporisi uhereye kuri ritoyi (amapete 6) hakurikijwe urutonde rw'amazina mashasha y'amapete akaba akurikirana, uku gukurikira:

1. Sereja mu Giporisi
2. Sereja wa mbere mu Giporisi
3. Sereja-Majoro wa mbere mu Giporisi
4. Ajida mu Giporisi
5. Ajida-shefu mu Giporisi
6. Ajida-Majoro mu Giporisi

Agace ka kabiri kavuga ibijanye n'ukuduzwa amapete (ingingo ziva ku ya 45 gushika ku ya 54). Uretse ko ugushirwa kw'ipete rya Sereja wa mbere mu Giporisi bisaba imyaka 2 inyuma y'inyigisho n'ikiringo c'ukwimenyereza akazi, ikiringo c'imyaka 5 kiri mu bifatirwako kugira Igisongerezi c'Intwazangabo mu Giporisi aduzwe kw'ipete rikurikira iryo yariko (ingingo ya 48).

Ariko, Umushikiranganji ajejwe Igiporisi c'Uburundi, arashobora, abishikiririjwe n'abatwara Igisongerezi c'Intwazangabo mu Giporisi babifitiye ububasha, kumushira kw'ipete risumba iryo yariko ikiringo yodugirijweko kitaragera (ingingo ya 51).

CHAPITRE VI : DU TRAITEMENT, DES PRIMES, DES INDEMNITES ET DES AVANTAGES SOCIAUX (ARTICLE 55 à 63)

L'article 56 définit les composantes du traitement du Sous-officier de Police qui sont le salaire de base, les primes, les indemnités et les avantages sociaux.

Les indemnités sont classées en deux catégories à savoir : les indemnités liées aux risques encourus dans l'exercice de ses missions et celles liées aux contraintes et exigences de son métier.

Les primes, les indemnités et les avantages sociaux repris dans le statut sont définis dans le tableau en annexe (Annexe I).

IGICE CA VI: IVYEREKEYE UMUSHAHARA, UDUSHIRUKABUTE, UTURUSHO TUJANYE N'IVY'AKAZI N'UTUJANYE N'IVY'IMIBANO (KUVA KUNGINGO YA 57 GUSHIKA KU YA 65)

Ingingo ya 56 itomora ibigize umushahara w'Igisongerezi c'Intwazangabo mu Giporisi ari vyo umushahara mfatirwako, udushirukabute, uturusho tujanye n'ivy'akazi n'utujanye n'ivy'imibano.

Uturusho tujanye n'ivy'akazi turi mu migwi ibiri ari yo: uturusho tujanye n'impanuka ashobora kugira ariko ararangura imirimo ashinzwe n'utujanye n'ingorane zo mu mwuga wiwe.

Udushirukabute, uturusho tujanye n'ivy'akazi n'utujanye n'ivy'imibano tuvugwa mu mategeko agenga Igisongerezi c'Intwazangabo mu Giporisi dutomorwa mu cubake kiri mu mperekeza (imperekeza ya I).

CHAPITRE VII : DE LA CARRIERE (ARTICLES 64 à 76)

Ce chapitre précise que la carrière du Sous-officier de Pollice commence le jour de son recrutement (article 64).

Le chapitre spécifie que le Sous-officier de Pollice doit être dans une position soit d'activité, de congé, de détachement ou de non activité de service. Cette dernière position comprend la suspension par mesure d'ordre, l'absence reconnue irrégulière, la mise en disponibilité disciplinaire, la mise en disponibilité pour convenance personnelle et la démission acceptée.

IGICE CA VII: IVYEREKEYE UMWUGA W'IGIPORISI KU GISONGEREZI C'INTWAZANGABO (KUVA KU NGINGO YA 64 GUSHIKA KU YA 76)

Ico gice gitomora ko umwuga w'Igiporisi ku bisongerezi vy'Intwazangabo mu Giporisi utangura umusi yinjirijweko mu kazi (ingingo ya 64).

Ico gice kiratomora ko Igisongerezi c'Intwazangabo mu Giporisi ategerezwa kuba ari hamwe muri aha hakurikira : mu kazi, mu karuhuko, mu yandi mabanga atari ay'Igiporisi canke akaba atarimu kazi. Ukuba atari mu kazi biba ku mvo zikurikira :yahagaritswe mu kazi ubutarariye, atari ku kazi atabirekuriwe, yahagaritswe mu kazi mu kiringo kanaka kubera ukwigenza nabi, yahagaritse akazi avyisabiye canke yatanze imihoho avyemerewe.

CHAPITRE VIII : DU REGIME DISCIPLINAIRE (ARTICLES 77 à 112)

Dans ce chapitre, la section 1 distingue les fautes et les sanctions disciplinaires applicables (articles 80 à 90).

IGICE CA VIII: IVYEREKEYE AMATEGEKO AGENGA INYIFATO MU KAZI (KUVA KU NGINGO YA 77 GUSHIKA KU YA 112)

Muri ico gice, agace ka 1 gatomora amakosa hamwe n'ibihano bijanye n'inyifato mu kazi bitangwa (ingingo ziva ku ya 80 gushika ku ya 90).

Les autorités habilitées à prendre des mesures de sanctions disciplinaires sont précisées aux articles 91à 94.

Abategetsi bafise ububasha bwo gutanga ibihano bijanye n'inyifato mu kazi batomowe mu ngingo ziva ku ya 91 gushika ku ya 94.

La section 2 du même chapitre détermine la procédure suivie dans l'application des sanctions disciplinaires (articles 95 à 102).

Agace ka 2 k'ico gice nyene gatomora ingene ibihano bijanye n'inyifato mu kazi bitangwa (ingingo ziva ku ya 95 gushika ku ya 102).

La même section dispose que les Sous-officiers de Police sont justiciables devant le Tribunal de Grande Instance (art 95).

Ako gace nyene kavuga ko Ibisongerezi vy'Intwazangabo mu Giporisi bitwarirwa muri Sentare nkuru y'igihugu (ingingo ya 95).

La section 3 (articles 104 à106) institue un Conseil de Discipline, afin de prévenir l'arbitraire et réprimer l'indiscipline du Sous-officiers de Police.

Agace ka 3 (ingingo ziva ku ya 103 gushika ku ya 105) gashiraho Umugwi ujejwe ivyerekeye inyifato mu kazi, kugira hakingwe ingingo zofatwa zitisunze amategeko kandi hahanwe inyifato itabereye y' Igisongerezi c'Intwazangabo mu Giporisi-.

Dans le même chapitre, la section 4 (articles 107 à 112) définit les récompenses et distingue ses composantes qui sont les gratifications pécuniaires et les distinctions honorifiques.

Muri ico gice nyene, agace ka 4 (ingingo ziva ku ya 107 gushika ku ya 112) gatomora udushimwe duhabwa Ibisongerezi kakongera kagatomora ibitugize ni ukuvuga amafaranga y'akoshamusyi n'ibidari vy'iteka.

CHAPITRE IX : DE LA FIN DE CARRIERE ET DE LA SECURITE SOCIALE (ARTICLE 113 à 123).

IGICE CA IX: IVYEREKEYE UKURANGIZA AKAZI N'UGUTEGEKANIRIZWA KAZOZA (KUVA KUNGINGO YA 113 GUSHIKA KU YA 123)

La première section précise les différents cas de cessation de service, y compris la limite d'âge statutaire du Sous-officiers de Police (articles 113 à 119).

Agace ka mbere gatomora uburyo butandukanye bw'uguhagarika akazi muri ubwo buryo, harimwo ukugahagarika Igisongerezi c'Intwazangabo mu Giporisi-.
ashikanye imyaka y'ugukukuruka itegekanijwe n'amategeko(ingingo ziva ku ya 113 gushika ku ya 119).

La deuxième section (articles 120 à 123) traite de l'affiliation du Sous-officiers de Police aux institutions de sécurité sociale à savoir l'Institut National de Sécurité Sociale et la Mutuelle de la Fonction Publique. Elle ouvre la possibilité au Sous-officiers de Police d'adhérer à d'autres institutions de Sécurité Sociale.

Agace ka kabiri (ingingo ziva ku ya 120gushika ku ya 123), kavuga ivyerekeye ugutegekaniriza kazoza Igisongerezi c'Intwazangabo mu Giporisi mu mashirahamwe y'ugutegekaniriza kazoza abakozi, ari yo Ishirahamwe rijejwe gutegekaniriza kazoza abakozi (INSS) no mw'Ishirahamwe rijejwe kuvuza abakozi ba Reta. Muri ako gace hategekanijwe ko Igisongerezi c'Intwazangabo mu Giporisi uburenganzira bwo kuja mu yandi mashirahamwe y'ugutegekaniriza kazoza abakozi.

Elle précise aussi que le Sous-officier de Police est classé parmi les assurés travaillant dans

Muri ako gace, haratomowe kandi ko Igisongerezi c'Intwazangabo mu Giporisi ashirwa mu mugwi

des conditions dures et pénibles comportant beaucoup de risques suivant les dispositions du Code de Sécurité Sociale (art 120).

w'abanywanyi bakora akazi kagoye kandi gashobora gutera impanuka nyinshi hisunzwe ibitegekanijwe mu Gitabu c'amategeko agenga ivyerekeye ugutegekaniriza kazoza abakozi (ingingo ya 120).

CHAPITRE X : DES DISPOSITIONS TRANSITOIRES ET FINALES (ARTICLES 124 à 126)

L'article 123 dispose qu'à la promulgation de la présente loi, les grades du Sous-officier de Police décrits par la Loi n°1/18 du 31 décembre 2010 portant Statut des Sous-officiers de Police seront harmonisés conformément à la nomenclature des grades prévus à l'article 44 de la présente loi.

IGICE CA X : INGINGO MFATAKIBANZA N'IZISOZERA (KUVA KU NGINGO YA 124 GUSHIKA KU YA 126)

Ingingo ya 123 itegekanya ko iri bwirizwa rimaze gutangazwa, amapete ahabwa Igisongerezi c'Intwazangabo mu Giporisi atomowe n'Ibwirizwa inomero 1/18 ryo ku wa 31 Kigarama 2010 rishinga amategeko agenga Ibisongerezi vy'Intwazangabo mu Giporisi azoca aroranishwa hisunzwe uko amapete ategekanijwe mu ngingo ya 44 y'iri bwirizwa.

III. LES PRINCIPALES INNOVATIONS

1. **Dans son chapitre premier,** le projet de loi fait participer davantage le Sous-officier de Police à la lutte contre la criminalité en lui conférant la qualité d'Officier de Police Judicaire à compétence générale ou limitée s'il est affecté à la Police Judiciaire ou dans une unité spécialisée (article 6).

2. **Le chapitre II, section I** relative aux conditions de recrutement explicite la notion de célibat. Pour ce faire, le candidat Sous-officier de Police est recruté célibataire sans enfant et le reste jusqu'à la fin de sa troisième année de service. De plus, le candidat doit être de nationalité burundaise et sans double nationalité.

La même section introduit la typologie de formations reconnues à la Police Nationale du Burundi à savoir la formation continue, fonctionnelle, de promotion et de réinsertion (art 10).

III. IBISHASHA BIKURUBIKURU

1. **Mu gice cayo ca mbere,** iyi nteguro y'ibwirizwa itegekanya ko Igisongerezi c'Intwazangabo mu Giporisi ategerezwa kugira uruhara rusumbirije mu kurwanya ubukozi bw'ikibi mu kumuha ububasha bw'inyamiramabi kuri vyosecanke kuri bimwebimwe igihe yarungitswe gukora mu Giporisi c'inyamiramabi canke mu mugwi ufise ubuhinga wisangije (ingingo ya 6).

2. **Mu gice ca II, agace ka 1** kerekeye ibisabwa mu kwinjiza uwitegurira kuba Igisongerezi c'Intwazangabo mu Giporisi gatomora ko aba atarubaka. Bisigura ko uwitegurira kuba Igisongerezi c'Intwazangabo mu Giporisi yinjizwa atarubaka, ata n'umwana afise kandi agategerezwa kuguma uko gushika ahejeje imyaka itatu ya mbere y'akazi. Vyongeye, uwitegurira kuba Igisongerezi c'Intwazangabo mu Giporisi ategerezwa kuba ari umurundi kandi adafise ubwenegihugu bubiri.

   Ako gace nyene karavuga ubwoko bw'inyigisho zemewe n'Igiporisi c'Uburundi akaba ari inyigisho zija ziratangwa mu kazi, izijanye n'akazi kanaka, izihabwa abimirije kuduzwa mu kazi n'izijanye n'ukwibeshaho amaze gukukuruka, (ingingo ya 10) ;

Le stage probatoire fait partie intégrante de la durée de la formation (art 17).

De plus, les dispositions du même chapitre prévoient une période de douze mois supplémentaires en cas d'échec de stage.

Ikiringo c'ukwimenyereza akazi giharurwa mu kiringo inyigisho zimara (ingingo ya 17).

Vyongeye, muri ico gice nyene harategekanijwe ikiringo c'amezi icumi n'abiri ciyongera ku gisanzwe gitegekanijwe mu kwimenyereza akazi mu gihe uwitegurira kuba Igisongerezi c'Intwazangabo mu Giporisi yaronse amanota adashimishije.

3. Le **chapitre III**, section 1 relative aux droits, introduit les innovations suivantes :

- droit aux allocations de décès de douze mois (Art 27) ;

- droit à une assistance juridique au Sous-officier de Police pour faire valoir ses prétentions devant une instance nationale ou internationale en cas de préjudice subi dans l'exercice de ses missions (Art 32).

3. **Igice ca III, agace ka 1** kerekeye ivyo Igisongerezi c'Intwazangabo mu Giporisi afitiye uburenganzira, kizana ibishasha bikurikira :

- Uburenganzira bw'ukuronswa amafaranga y'impozo ahabwa ababuze angana n'umushahara w'amezi icumi n'abiri atakivuyeko (ingingo ya 27) ;

- Uburenganzira bw'Igisongerezi c'Intwazangabo mu Giporisi bw'ukuronswa uwumufasha mu vyerekeye amategeko mu bijanye n'ivyamushikiye ariko ararangura imirimo ashinzwe kugira uburenganzira bwiwe bwubahirizwe imbere ya sentare yo mu gihugu cankempuzamakungu (ingingo ya 32).

La section 2 du **Chapitre III** introduit dans les devoirs et les incompatibilités une innovation sur l'interdiction pour un Sous-officier de police de s'immiscer dans les affaires politiques, adhérer aux partis politiques ou porter préjudice à leurs intérêts.

Agace ka 2 **k'Igice ca III**, mu vyo Igisongerezi c'Intwazangabo mu Giporisi ategerejwe n'ivyo atabangikanya n'amabanga ashinzwe, karimwo igishasha kijanye n'ukumubuza kwisuka mu bijanye na poritike, kuja mu migambwe canke kubangamira inyungu zayo.

4. **Au Chapitre V des grades et de l'avancement, on note les innovations suivantes :**

- L'article 35 reprend les termes de l'article 311 de la loi organique qui interdit formellement tout policier à participer aux activités à caractère politique ou manifester une position partisane dans un parti politique.

- la nomenclature des grades (Art 44) est modifiée d'une part en vue de lever l'obstacle persistant de communication

4. **Mu gice ca V cerekeye amapete n'ukuduzwa amapete, harimwo ibishasha bikurikira :**

- Ingingo ya 35 isubiramwo ibivugwa mu ngingo ya 311 y'ibwirizwa ryunganira Ibwirizwa Shingiro ibuza umuporisi uwo ariwe wese kuja mu bikorwa vya poritike canke kwerekana ko ahengamiye ku mugambwe kanaka.

- Amazina y'amapete (ingingo ya 44) yarahinduwemu ntumbero yo gukuraho intambamyi yama yibonekeza mu bijanye

en interne (au sein du corps) comme en externe (police-public) et d'autre part pour les motifs suivants :

- Faciliter l'identification et la communication par la population, l'administration, les Corps de Défense et de Sécurité, les partenaires, ainsi que les élus du peuple dans le cadre de la police de proximité ;

- Les grades actuels sont sans équivalence dans les missions de maintien de la Paix et dans les foras internationaux ;

- La nomenclature actuelle est tombée en désuétude même dans d'autres pays, cas de la France qui en est l'auteur même au Burundi.

Il n'y a pas d'impact budgétaire parce que les insignes distinctifs des grades actuels restent inchangés.

➢ la période d'avancement de grades des Sous-officiers de Police a été portée à 5ans, excepté la promotion au grade de 1er Sergent de Police qui est de 2 ans (art 48).

5. **Le chapitre VI,** en ses articles 55 à 63 apporte des nouveautés relatives aux primes, aux indemnités et aux autres avantages sociaux du ~~Brigadier~~ Sous-officier de Police.

6. **Le chapitre VII** parle de la Carrière du Sous-officier de Police et amène les innovations suivantes :

➢ Le stage probatoire est considéré comme faisant partie de la formation ;

➢ La conditionnalité d'au moins sept ans de service pour obtenir une mise en disponibilité pour convenance personnelle (Art 69) ;

n'uguhanahana amakuru mu Rwego rw'Igiporisi c'Uburundi no hagati y'Igiporisi n'abenegihugu ku ruhande rumwe, ku rundi ruhande na ho, yahinduwe ku mvo zikurikira:

- Gutuma abenegihugu, abajejwe intwaro, abo mu nzegoz'ukwivuna abansi n'ukubungabunga umutekano, abafasha mu vy'umutekano hamwe n'abatowe n'abenegihugu boroherwa kubatandukanyan'uguhanahana amakuru na bo mu bijanye n'igiporisi cegerejwe abenegihugu ;

- Amapete asanzwe akoreshwa ntahuye n'ayakoreshwa n'abandi barungikwa mu bikorwa vy'ukubungabunga amahoro no mu mahuriro mpuzamakungu;

- Amazina y'amapete asanzwe akoreshwa ntagikoreshwa no mu bindi bihugu nko mu gihugu c'Ubufaransa kandi ari co cazanye ayo mazina mu Burundi.

Nta ngaruka zijanye n'uko amafaranga akoreshwa yokwiyongera kubera ibimenyetso vy'amapete bisanzwe bikoreshwabitahinduwe.

➢ Ikiringo c'ukuduza amapete y'Ibisongerezi vy'Intwazangabo mu Giporisi cashizwe ku myaka 5 kiretse mu gihe ari ukuduzwa kw'ipete rya Sereja wa mbere mu Giporisi aho bisaba imyaka 2 (ingingo ya 48).

5. **Igice ca VI,** mu ngingo zaco ziva ku ya 55 gushika ku ya 63, kivuga ibishasha bijanye n'udushirukabute, uturusho tujanye n'ivy'akazi n'utundi tujanye n'ivy'imibano duhabwa Igisongerezi c'Intwazangabo mu Giporisi.

6. **Igice ca VII** cerekeye umwuga Igisongerezi c'Intwazangabo mu Giporisi kikazana ibishasha bikurikira :

➢ Ikiringo c'ukwimenyereza akazi giharurwa mu kiringo c'inyigisho z'intango;

➢ Igisongerezi c'Intwazangabo mu Giporisi ategerezwa kuba amaze gukora n'imiburiburi imyaka indwi kugira yemererwe kuba

arahagaritse akazi avyisabiye (ingingo ya 69);

- La notion de disparition et de captivité (Art 72).

- Harategekanijwe ibijanye n'ukubura irengero ry' Igisongerezi c'Intwazangabo mu Giporisi n'ibijanye n'ukugirwa imbohe (ingingo ya 72).

7. **Le chapitre VIII, section1** énumère les fautes et les sanctions disciplinaires.

7. **Igice ca VIII, agace ka 1**kadondagura amakosa n'ibihano bijanye n'inyifato mu kazi.

Les fautes disciplinaires ont été inventoriées et catégorisées selon leur gravité (Art 79 à 80).

Amakosa ajanye n'inyifato mu kazi yarashizwe ku rutonde no mu migwi hisunzwe uburemere bwayo (ingingo ya 79 n'iya 80).

La sanction de rétrogradation a été introduite dans la liste des sanctions applicables aux Sous-officiers de Police (Art 83).

Igihano co gukororwa ipete carashizwe kurutonde rw'Ibihano bihabwa Ibisongerezi vy'Intwazangabo mu Giporisi (ingingo ya 83).

La section 2 détermine la procédure disciplinaire suivie en cas de suspension par mesure d'ordre d'un Sous-officiers de Police mis en liberté à l'issue d'une détention préventive (article 102).

Agace ka 2gatomora ibikurikizwa ku Igisongerezi c'Intwazangabo mu Giporisi yaronse umwidegemvyo ikiringo c'ugupfungwa ivy'agateganyo kirangiye yari yarahagaritswe mu kazi ubutarariye (Ingingo ya 102).

La section 3 prévoit la mise en place d'un Conseil de Discipline, afin de prévenir l'arbitraire et réprimer l'indiscipline des membres de la Police Nationale.

Agace ka 3 gategekanya ishirwaho ry'Umugwi ujejwe ivyerekeye inyifato mu kazi, kugira ntihagire ingingo zofatwa hatisunzwe amategeko kandi itabereye y'abari mu Giporisi c'Uburundi bagize inyifato itabereye bahanwe.

La récompense prévue dans la section 4 est un élément nouveau. Elle est constituée des gratifications pécuniaires et des distinctions honorifiques (Art 106 à 111).

Mu gace ka 4 hategekanijwe ikintu gishasha. Hazotangwa udushimwe tugizwe n'amafaranga y'akoshamusyi n'ibidari vy'iteka (ingingo ziva ku ya 106 gushika ku ya 111).

8. **Le chapitre IX**, section1 relative à la fin de carrière, prévoit une prolongation de carrière de deux ans renouvelable qui est accordée sur demande du Sous-officier de Police (art 117).

8. **Igice ca IX**, agace ka 1 kerekeye ukurangiza umwuga, gitegekanya ko ikiringo c'akazi gishobora kuja kirongerezwa imyaka ibiribiri bisabwe n' Igisongerezi c'Intwazangabo mu Giporisi vyerekeye (ingingo ya 117).

9. **Le chapitre X** prévoit une harmonisation des grades dcrits par la Loi n°1/18 du 31 décembre 2010 portant Statut des Sous-officiers de Police.

9. **Igice ca X** gitegekanya koamapete avugwa mw'Ibwirizwa inomero 1/18 ryo ku wa 31 Kigarama 2010 rishinga amategeko agenga Ibisongerezi vy'Intwazangabo mu Giporisi aroranishwa.

10. Le présent projet de statut comprend également deux annexes à savoir :

10. Iyi nteguro y'amategeko agenga Ibisongerezi vy'Intwazangabo mu Giporisi irimwo kandi imperekeza zibiri ari zo:

1) Le tableau en rapport avec l'éclairage sur les notions de primes, indemnités et avantages sociaux introduits dans les projets des statuts du personnel de la police nationale du Burundi ;

2) Le tableau comparatif du statut des Brigadiers de la PNB en vigueur et du projet de statut des Sous-officiers de Police.

IV.Après intégration des recommandations issues du Conseil des Ministres du 11 décembre 2019 et celles de la Présidence de la République de par les lettres n°100/CAB/1029/2019 du 13 mai 2019 et n°100/CAB/1586/2019 du 30 juillet 2019, la nomenclature des articles de l'ancien texte présenté au Conseil des Ministres a changé suite à la suppression d'un articles du texte (l'article 25 qui parlait de la gratuité des services rendus par la Police).

1) Icubake gitanga umuco ku bijanye n'udushirukabute, uturusho tujanye n'ivy'akazi n'utujanye n'ivy'imibano twategekanijwe mu nteguro y'amategeko agenga abakozi bo mu Giporisi c'Uburundi ;

2) Icubake kigereranya amategeko asanzwe agenga Ababirigadiye b'Igiporisi c'Uburundi n'integuro y'amategeko mashasha azogenga Ibisongerezi vy'Intwazangabo mu Giporisi.

IV.Inyuma yuko hongewemwo ivyasabwe n'inama nshikiranganji yokuwa 11 kigarama 2019 hamwe n'ibiro vy'umukuru w'igihugu hakurikijwe amabaruwa inomero 100/CAB/1029/2019 yokuwa 13 rusama 2019 na 100/CAB/1586/2019 yokuwa 30 mukakaro 2019, urutonde rw'ingingo zari zigize integuro yambere y'iri bwirizwa yizwe munama Nshikiranganji rwarahindutse biturutse kungingo 2 zafuswe (ingingo ya 25 yavuga ibikorerwa mu gipolisi ko bitorihishwa abapolisi).